# Igitera gukorora

Gufata akarorero nk'uburyo bgo gusuzuma igitunzu

KIRUNDI

HELSE FONNA

## Ibintu vyukuri ku igituntu

Igituntu n'ingwara itegwa n'umugera w'igituntu (M. Igituntu) Umugera ukwirakwizwa biciye mumuyaga n'ibitonyanga bito biva mukanwa igihe umuntu afise igituntu akorora mumahaha, yitsamura, ariko arayaga canke atwenga.

Abantu bahumeka ngaha uruyu muyaga barashobora kandi guhema umugera hama bakawandura. Hafi 10% z'abantu bahema uyu mwuka barayandura bayikwirakwiza vyibura rimwe mubuzima bgabo. Kugira ngo umenye neza ko ufise ingwara y'igituntu, ugomba gusuzumwa kenshi. Gutera gukorora ni bimwe mur'ivyo.

Mbega ibipimo bikogwa gute?Mugihe co gupima ugomba guhema mumazi y'umunyu ukoresheje ibikoresho biduza umwuka bifatanije na oxygene. Umwuka uhumeka uvamo uzotera ingorane mubuhumekero hama vyorohe gukorora no kuzana igikorogwa kiva mumahaha.

Ukwitegura
Ntuze ufungure canke unywe mugihe c'amasaha 4 mbere yo gupimwa.

## Mbega igituntu candura gute?



Kumuntu wenyene wahumekewe umwuka urimo ibitonyanga bifise umugera w'igituntu.



Kuva kumuntu afise umugera w'igituntu bita basillus mugikorogwa kiva mumahaha. Umugera ukwirakwira igihe umuntu akorora, y'itsamura, atwenga canke ariko arayaga.



Kanja kukintu uhemerako hama ufunge n'iminwa neza kuri co. Hema uko wama uhema hama usohore umwuka mukanwa. Gerageza uheme umwanya umwe umwe cane gose. Amazi arenga (arahura avuye m'umwuka) urayamira. Ikimyira (amacandwe) kiva mukanwa ntikigomba gukoreshwa.



Igihe wumva ugiye gurakorora, gira umwuka usohoke hanze hama ukorore cane gose m'umwanya muninia.



Ucire mu iveri yo gupimirako igikorogwa cose kiva mumahaha. Kwirinda gucafuza iveri yo gupimirako, iveri ishigwa munsi y'umunwa wo munsi.

Ugomba gusubiramo ikigikogwa ingenzi ninshi. Kurikiza amabgiriza wahawe nubijejwe. Ugara igifuniko uhejeje gupimwa. Munyuma, karaba intoke ziwawe.

# Mbega niki gikurikirako?

Resulta z'ibipimo bizoboneka haheze indwi 6 gushika ku 8. Uzahamagagwa kugira ngo uronstwe iyindi randez vous. Kubijanye n'ibisubizo vy'ibipimo, docteur azokubwira ikizokurikira munyuma.

HELSE FONNA